**DIOCESE DE RUYIGI**
**D/S. 119 BUJUMBURA**
**Tél. : (+ 257) 22 40 6140**
**GSM : (+ 257) 77 560 060**
**BURUNDI**

# INAMA IHUZA ABAMENYESHAMAKURU BASERUKIRA AMAPARUWASE YA DIYOSEZE YA RUYIGI K'URUBUGA RW'AMAKURU RW'INAMA Y'ABEPISKOPI GATOLIKA B'I BURUNDI

**Ruyigi, 26-27 Nzero 2023**

(Ijambo ry'ubwahuro)

**« Gende mwigishe abantu bose, mubabatize kw'izina rya Data n'irya Mwana n'irya Mutima Mweranda, mubigishe gukora ivyo nabategetse.»**
(Matayo 28, 19-20)

Bavukanyi,

**1.** Kera ngaha iwacu i Burundi, hariho umuntu bita umurongozi. Uwo muntu yari afise ijwi rirerire, akavuga cane rwose. Ni we abaganwa canke abatware, canke mbere abandi bategetsi batuma bashaka kumenyesha ikintu abanyagishugu. Yaca azinduka kare, akaja ku musozi muremure, agasemerera, akabwira ubutumwa bamuhaye abantu bose bari mu micungararo y'uwo musozi.

**2.** Harahavuye haza amaradiyo, imboneshakure, amatelefone n'ibindi. Ubu ho ivyo tugezemwo birateye ubwoba, kuva aho bifataniye n'ivy'ingurukana-bumenyi : ntaho umuntu atagishoboye gushikana amakuru kandi urashobora kurunda amakuru ahantu, uwuyashaka akayasoma igihe ashakiye hose.

**3.** Iciza c'ivyo bintu ni uko biterekeye amakuru gusa, n'inyigisho urashobora kuzegeraniriza ahantu, abantu bakaza baravuvura, n'ukuzihanahana bakazihanahana. Murumva ko n'Inkuru nziza dushobora kuyishikiriza abantu benshi tutazi, tutarinze n'ukubonana.

**4.** Mur'iyi misi ibiri, muzokwigishwa. Aboba batari bwabimenye, Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi irabise URUBUGA RW'AMAKURU (Site Web). Iryo jambo « Urubuga rw'amakuru » ni iryo ubwenge bwanje bwanyoheje, kumbure abandi boba barivuga ukundi. Muzokwigishwa rero utuntu n'utundi, kugira ngo mumenye neza ingene muzoza muregeranya amakuru azorungikwa kur'urwo rubuga n'ahandi hazoba hakenewe mu butumwa bw'amaparuwase murimwo.

**5.** Ariko rero muragabe, kuko ibinyamakuru s'ivyo guta mu nda nsa. Mu mwaka w'2012, Papa Benedigito wa 16 yaratwandikiye Ikete rishingiye kur'iki ciyumviro : *« AGACERERE be n'IJAMBO : INZIRA Y'UKUMENYESHA INKURU NZIZA. » Umuntu ashaka gushikiriza abandi ijambo abanza kubaza umutima. No mu guhanahana amakuru ni uko. Papa rero yarahejeje avuga ati :*

*« Igice kinini c'ivyerekeye iki gihe itumatumanako ry'amakuru cerekeye ibibazo abantu bitezeko inyishu. Ubuhinga bw'ukurondera amakuru n'ukuyatanga be n'ukuja mu runani rw'abatanga ayo makuru ni vyo ntango y'ukurondera impanuro, intumbero y'ivyiyumviro, amakuru, canke inyishu z'ibibazo. Muri iyi myaka, urunani rw'abahanahana amakuru rugenda ruba ukuruta ivomo ry'ibibazo n'inyishu zavyo ; n'ikiri ikora, umuntu aya mango kenshi usanga ahanzwe n'inyishu ku bibazo atari bwigere yibaza na rimwe kandi agaterwa n'ubukene atokwigeze agira na rimwe. Agacere ni ntangere rero kugira ngo umuntu amenye neza nk'uko bikenewe, ico afata n'ico areka muri iyo myitwarariko yose n'izo nyishu turonka, kugira ngo tumenye kandi dushimikire ku bibazo bihambaye koko. Uko ibintu biri kwose, muri ibi bintu vy'itumatumanako ry'amakuru kandi birimwo vyinshi, abantu batari bake bitwararika ibibazo vy'inkoramutima umuntu yibaza mu buzima : Ndi inde ? Ubumenyi bwanje bwogarukira he ? Ico mbwirizwa gukora ni iki ? Ico nshobora kwizigira ni iki ? Birahambaye kwegera abantu bibaza ivyo bibazo, tukabaha akaryo k'ukuyaga na bo tugashitsa, mw'ijambo tuganira, mu guhuza ivyiyumviro, ariko kandi mu kubasaba kuzirikana no gushira mbere agacerere. Rimwe na rimwe, ako gacerere n'ukuzirikana birashobora kuba ingirakamaro kuruta inyishu y'ihutihuti kandi bigafasha uwurinjijwe n'ibibazo kwinjira imbere mu mutima wiwe kandi akajana iyo nzira y'inyishu Imana yaciye mu mutima w'umuntu wese.*

*« Uwo muriri udacika w'ibibazo urerekana, vy'ukuri, ikiraje ishinga umuntu yama ariko ararondera ukuri, kwaba ukubabaye canke uguhambaye, guha intumbero be n'ukwizigira, ubuzima bwiwe. Umuntu ntashobora kubumbwa n'ukuyaga ibisanzwe amakuru adashemeye n'ibishika mu buzima : twese, turi abarondera ukuri kandi turasangiye ico cipfuzo kigera kure mu mutima, na cane cane muri ibi bihe aho "iyo abantu bahanahanye amakuru, haba ubwo nyene bariko barasangira ijambo bayaga ingene babona ivy'iyi si, amizero yabo, ivyipfuzo vyabo" (Ikete rya Papa ry'Umusi Mpuzamakungu w'Ibimenyeshamakuru 2011). »*

(Ijambo rya Papa Benedigito wa 16, ryo ku wa 24 nzero 2012, ku musi mukuru wa Fransisko Salezi mweranda, Umuvunyi w'Abamenyeshamakuru).

**6.** Mur'iyi misi ibiri Imana iduhaye ngo twigishwe ku vyerekeye ukwegeranya amakuru, ntitube ba ndarisize aho, ntihagire n'umwe ayaga amasigaracicaro.

Nitumere nyabuna nka ba bigishwa Yezu yamara imisi ayagira ivy'Ubwami bw'Imana, hanyuma akabikebanura ababwira, ati : ***« Gende mwigishe abantu bose, mubabatize kw'izina rya Data n'irya Mwana n'irya Mutima Mweranda, mubigishe gukora ivyo nabategetse. »*** (Matayo 28, 19-20). ***«Nabo baciye bagenda kwigisha hose, Umukama arabahagarikira, iryo bigisha ariranguza ibitangaro vyariherekeza.»*** (Mariko 16, 20). Kandi bararyumyeko, kuko naho baguma bababuragiza, Petero n'abandi batumwa baguma babiyama n'ubukazi bwinshi, ariko **bwuzuye urukundo rwikwije ukuri n'ubutungane.** Ng'uku uko baguma bavuga : ***« Ugasangwa bikwiye mu maso y'Imana kugamburukira mwebwe aho kugamburukira Imana, ngaho vyibaze ; natwe tweho ntidushobora kureka kuvuga ico twabonye kandi twumvise.»*** (Ibik. 4, 19-20). Erega, kuva Yezu abatumye, bagakomezwa kandi bakamurikirwa na Mutima Mweranda, ntibigeze bahemuka. Icaguma kibaraza ishinga kwari ukumenyesha abandi Inkuru Nziza y'urukiza. Na mwebwe ni uko ; ni ko mutegerezwa kugira. Ivyo muzovuga mu nyandiko vyose, muzoze muribuka ko igikuru murondera ni uko Kristu amenyekana. Uwo Kristu nawe ni Ukuri n'Ubuzima. Muritonde, muze murazirikana, ukuri ntikwigere gukeberwa na rimwe mu makuru no mu nyigisho muzotanga. Mbere n'ivyo muronka bivuye ku bandi bavukanyi, muraze muravyitondera, ntimujane nyabahururu, mutohoze ukuri kurimwo, ikinyoma mukigurure, gitumukane n'umuyaga.

**7.** Twarumvise ko Inama nkuru yabereye i Vatikano ubugira kabiri yasavye ko mw'Ekleziya yose twokwijukira Ibimenyeshamakuru mu kwigisha Inkuru Nziza, ikatubwira n'uko twoha abandi bantu intumbero nziza y'ugukora n'ugukoresha ivyo bimenyeshamakuru. Aho tugeze rero, haciye imyaka myinshi iryo jambo rivumerewe, ntitworeka kwibaza n'ukubazanya mur'izo nzira zibiri : ubwo turabikoresha twivuye inyuma ? ni twaba tubikoresha, tubikoresha neza ? Ababifisemwo amakenga tubahanura iki ? Aha iwacu mu Burundi, hariho abateye imbere, nko muri Diyoseze ya Bujumbura, ariko twebwe aha mu Ruyigi turacari kure nk'ukwezi. Mugabo, tugumane ishaka n'umwizero, kugira ngo tuzotinde dushika ku rugero rushimishije.

**8.** Ko tutipfuza kuba ba ndarisize aho, Mutima Mweranda natumurikire, atuje imbere, mur'iyi misi tuzofashanye gutegera ico Imana idushakako mur'ubu butumwa n'ingene tuzokirangura.

**9.** Ndabipfurije mwese ubutumwa bwiza n'imigisha myinshi y'Imana ijana na bwo. Ni mugire aho muba mwubahwe, mwame muyaga amahoro y'Imana, twashikirijwe n'Umwana w'Imana yaje gukiza abantu bose, ata n'umwe asigaye inyuma.

Ruyigi, ku wa 26 Nzero 2023
+ Buraziyo NZEYIMANA
Umwepiskopi wa Ruyigi.